Kontakt: Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen

Mobil.: +49-172-5638432
Mail: meinolf.wacker@go4peace.eu
Homepage www.go4peace.eu

Ntwarante 2023 *kirundi*

Ubworo bwawe - Itombora ku Mana!

Hahiriwe abari n'umutima ushima ubworo, kuko ubwami bw'ijuru ari ubwabo! (Mt 5,3)

Bakunzi ba go4peace,

Ni nde yipfuza kuba mworo? - Gukena vyama biremera. Ico abantu bose baragihurizako. Ariko dusoma mu nyigisho yo ku musozi ibntu bitangaje : „ Hahiriwe abakenye imbere y'Imana, kuko ubwami bw'ijuru ari ubwabo!" Madeleine Delbrel, umuhangamana wo mw'ibarabara i Paris niwe yanditse ati: „ ntimwibaze ko burya duhimbarwa ko ku musi ku musi twama dusigara iminwe yacu, imitwe n'imitima yacu igaragara. Ikiduhimbara ni ugutegura mu minwe, mu mitwe no mu mitima yacu ikibanza kibereye ijuru, kuko aha turi abarengana". Imana yama ikenera umutima wera kandi wuguruye w'umuntu, kugira ngo Yo nyene imugabire. Kugira ngo wakire neza ivyo Imana ikugemaniriza, birakenerwa kwama wigira mworo – imbere ya kavantara akeneye ko ndamufasha, imbere y'uwo tudasangiye ukwemera akeneye ko tuganira, imbere y'ivyo ntari niteze biza binmpinduza programme yanje, imbere y'iki gihe nyene ndimwo, uko nyene kinshikiye. – Igire mworo, kugira ngo ushobore kuba wuguruye, ubereye ijuru.

Twari twahwanye na Juliya aturuka muri Ukraine. Yava ahitwa Cherson. Yabuze ayo acira n'ayo amira araheza arambwira ko mu bitaro vyo mu gisagara abamwo haza umuyagankuba rimwe rimwe. Niho rero twaca dufata umugambi wo kwegekanya ivyuma bitanga umuyagankuba icenda bija muri Ukraine. Kw'isoko haragaragara. Ariko nariyumvisemwo ikintu kimbwira kiti : Ni wigire umworo imbere y'ico kibazo. Subira kandi ugerageze. Namaze amasaha abiri yose ndondera muri internet. Vyasa n'ibidashoboka, gutora icuma (générateur) gisa naco. Igihe nagira ndabihebe, numva iciyumviro ngo subita uwundi munota umwe. Nca ngumizako. Niho aho nyene namye ndondera handitse ngo „vyose vyaraguzwe" canke ngo „ kino gihe ntavyo dushobora gutanga", nca ndahasanga icuma c'ubwoko bihwanye neza. Ico nyene twari dukeneye. Haciye imisi mikeyi ico Cuma cari camaze kudushikira. Igihe umushoferi w'ikamyo yagipakira muhira iwanje, ndamubwiye ko kija muri Ukraine, yarankoze ku bitugu amosozi adengereya mu maso, avuga ati : „Ewe musi mwiza wanje! – Ndabashimiye ukuntu mwitwararika abantu bari mu ngorane. Jewe mva muri Libani. Ndazi ico bivuga , kuba mu ngorane ukaronka uwukuramira!" **Ubworo bwanje – itombora ku Mana!**

Kubwa go4peace Meinolf Wacker.